INYANDIKO ZA GIHANUZI



Icigwa ca 6 co kuwa 7 Munyonyo 2026




"Kukw ivyanditswe kera vyose vyandikiwe kutwigisha, kugira ngo kwihangana no guhumurizwa guheshwa n'ivyanditswe biduhe kwizigira ibizoba." (Abaroma 15:4)

Naho ari Ijambo ry’Imana, Imana si yo yanditse Bibiliya. Yakoresheje abantu bahumekewe na Yo kugira ngo babikore.

Eka mbere ntiyabategetse amajambo bakwiye kwandika. Yababwiye gusa ngo bandike ivyo yabereka, canke ivyo yashira mu bwenge bwabo.

Yarabahaye umwidegemvyo runaka wo guhitamwo amajambo bazokoresha ; uburyo bwo kwandika ; n’ibindi bintu vy’ido n’ido vyo gukoresha mu gushikiriza ubutumwa buvuye ku Mana..





Inyandiko za Gihanuzi:

- Ni hehe kandi kubera iki vyanditswe?
- None vyanditswe mu buryo ubuhe?

Ikoreshwa ry’abakarani be n’ibikoresho vyo hanze:

- Ni kuki hakoreshwa abafasha mu kwandika?
- Ni ibihe bintu vyo hanze abahanuzi bakoresheje?

Ubumuntu buvanze n’ubutumwa:


- Udusembwa muri Bibiliya?

INYANDIKO ZA GIHANUZI

HEHE KANDI KUBERA IKI VYANDITSWE?

"Nuko nimugende muvyandike ku bisate vy'amabuye muvyandike mu gitabu, kugira ngo mu misi izoza, bizobabere ivyabona bizokwamaho." (Yesaya 30:8 KBC)

Mose ni we muntu wa mbere yahumekewe n'Imana kwandika Bibiliya. Mu bugaragwa bwa Midiyani, yaranditse Yobu n'Itanguriro. Mu gihe c'Ukuvayo, yararonse itegeko ritomoye ryo kwandika ibintu vyabaye mu nyandiko (Kuvayo 17 :14).




Abandi bahanuzi baronse itegeko ritomoye ryo kwandika igitabu ni Yesaya (Yesaya 30 :8) ; Yeremiya (Yeremiya 36 :2) ; Habakuki (Habakuki 2 :2) ; na Yohana (Ivyahishuwe 1 :11).

Abanditsi ba Bibiliya banditse mu bihe bitandukanye:













Imana yahisemwo abantu n'ubutumwa bari bakwiye kwandika mu ntumbero y'uko ata kintu na kimwe cobura mu vyo yashaka kuduhishurira kubwo agakiza kacu (2 Tim. 3 :15).


NONE VYANDITSWE NI MU BUHE BURYO?


" Indirimbo y'agaheta, ya Salomo." (Indirimbo 1:1)

Bibiliya yanditswe mu myaka irenga 1.500 n'abanditsi barenga 40 batandukanye, irimwo uburyo bwinshi bwo kwandika. Bumwe muri bwo:

- Inkuru z'ivya kahise (Ita. 37 :2)
- Ibisekuruza (Ita. 5 :1)
- Ubuhanuzi (Yes. 13 :1)
- Amayerekwa y'Ivyahishuwe (Ivyah. 12 :1)
- Ivyivugo (vyinshi muri Yesaya)
- Indirimbo (Indirimbo ya Salomo 1:1)
- Ibangabanganisha (Yes. 17:7)
- Imigani (Luka 18:1)
- Amakete (2 Ab'i Tesalonike 3:17)



Bibiliya nta tandukaniro igira ku bijanye n'uburyo butandukanye bwo kwandika. Bwose burafise akamaro mu gushikiriza iciyumviro c'Imana, kubera yuko umuntu wese atahura neza ubutumwa mu buryo bumwe kuruta ubundi.

Petero kandi aratomora neza ko ivyanditswe mw'Isezerano Rishasha bifise ububasha nk'ubwo ivyo mw'Isezerano rya Kera (2Pet. 3, 15-16).

IKORESHWA RY'ABAKARANI BE N'IBIKORESHO VYO HANZE


NI KUKI HAKORESHWA ABAFASHA MU KWANDIKA?

"Nuko Yeremiya ahamagara Baruki mwene Neriya, maze Yeremiya amubwira amajambo yose Uhoraho yamubwiye, Baruki na we ayandika mu gitabu." (Yeremiya 36:4 BKC)



Yeremiya yari umuherezi kandi, kubera ivyo, yari azi gusoma no kwandika. Ariko rero, yarakoresheje uwumufasha, ari we Baruki, kugira ngo yandike ubutumwa Imana yamusavye kwandika (Yer. 36 :1-4). Naho vyari vyemewe n'Imana, ivyo vyasobanuwe nabi mu gihe ciwe (Yer. 43 :2-3).

Paulo, uwari azi neza ikigiriki, yarakoresheje abamufasha mu kwandika amakete yiwe (Rom. 16 :22). Kugira ngo abandi ntibandike amakete y'ibinyoma mw'izina ryiwe, yategerezwa gushira umukono wiwe bwite ku makete yategetse ngo yandikwe (2 Tes. 3 :17).





Petero yandika amakete yiwe mu buryo bwiza cane bw'ikigiriki, ikintu kigoye kuvuga ko canditswe n'uwo murovyi yavuga ururimi rw'iki Aramayika. Gukoresha abamufasha vyaramufashije gushikiriza ubutumwa bwiwe ata makosa mu rurimi atazi neza. Ariko kuba abo bafasha bahisemwo amajambo aserura neza ivyiyumviro vya Petero, ntibigabanya mu buryo na bumwe ukuntu amakete yiwe yahumekewe n'Imana.

NI IBIHE BINTU VYO HANZE ABAHANUZI BAKORESHEJE?

"Ni co gituma nanje, maze gutohoza neza uko vyagenze vyose kuva mu ntango, nahisemwo kukwandikira inkuru y'ukuri kandi itomoye, nyakwubahwa Teyofilo" (Luka 1:3 BKC)

Ezira yarakoresheje inkuru z'ivya kahise yongera akoporora amategeko be n'amakete y'abami b'Abaperesi igihe yandika igitabu c'Ivyo ku Ngoma n'ica Ezira. Nehemiya we, yashize mu gitabu ciwe inkuru z'ibisekuruza yakoporoye mu bindi bitabo.






Kubera ko Luka atari icabona c'ibintu avuga, yanditse ubutumwa bwiwe bwiza n'igice c'igitabu c'Ivyakozwe n'intumwa ashingiye ku nyandiko z'akahise n'ibibazo yabajije abavyiboneye (Lk. 1, 3).

Paulo asubiramwo amajambo ya Epimenide na Aratusi, abanditsi b'Abagiriki ba kera (Ivyakozwe n'intumwa 17 :28 ; Tito 1 :12). Yuda we, yandukuruye amajambo avanye mu gitabo kitari mu vyahumetswe kirimwo ubuhanuzi bwa Henoki (Yuda 1 :14).



Epimenide



Aratusi

Bose barongowe na Mpwemu Yera mu gukoresha ivyo bintu vyo hanze. Baratahura yuko bariko baradondora ukuri, rero bakaba bariko barashikiriza ivyo Imana yashaka guserura.



Igitabo ca Enoki

UBUMUNTU BUVANZE N'UBUTUMWA

UDUSEMBWA MURI BIBILIYA?

"Ariko twebwe ubwacu tumeze nk'udukono tumeneka turimwo ubwo butunzi buhebuje. Ni co cerekana ko ubushobozi buhambaye bukorera muri twebwe buva ku Mana, atari kuri twebwe." (2 Ab'i Korinto 4:7 BKC)

Imana yahisemwo gukoresha abantu b'abanyagasembwa, ni ukuvuga "inzavya z'ibumba" kugira ngo bashikirize ubutumwa bwayo (2 Ab'i Korinto 4 :7). None ni gute ukwo kudatungana kwagize ico gukoze ku butumwa ? Mbega Bibiliya yoba ari iyo kwizigirwa 100%?

Amajambo ya kera

- Amajambo yo mu Giheburayo, mu Kiaramayika canke mu Kigiriki tutazi ubusobanuro bwayo, canke yakoreshwa mu bundi busobanuro butandukanye bwo mu gihe c'umuhanuzi
- Uturorero: *Goferu* (גֹּפֶר) (It. 6:14); *Sela* (סֶלָה) (ryakoreshejwe mu mazaburi amwe)

Amakosa yakozwe n'abakoporoye

- Igihe umuntu ariko arakoporora ivyanditswe, canke akavyandika akoresheje amajambo abwiwe, uwukoporora arashobora gukora amakosa (vyibonekeza cane mw'Isezerano Rishasha)
- Akarorero: "Agakwabu ka Yohana" (1 Yohana 5:7-8). Ni ijambo ry'uwakoporoye ryaje gushirwa mu gisomwa mu nyuma n'uwundi mukoporozi

Amakosa yakozwe n'abanditsi ubwabo

- Igihe abanditsi ba Bibiliya baba bariko barandika ijambo bafashe ku mutwe, canke basubiramwo ikintu batabonye, barashobora gukora amakosa matomato ariko ataco atwaye
- Akarorero: Amajambo ya Matayo aho yita Zakariya, yishwe na Yowasi, "mwene Barakiya" (ari we yanditse igitabu ca Zekariya) (Mt. 23, 35 ; raba Lk. 11: 51 ; 2Ng. 24: 22)

Amakosa y'umuhinduzi

- Abahinduzi ba Bibiliya, na cane cane abahindura mu ndimi zikoreshwa muri iki gihe, barashobora kwoshwa n'ivyiyumviro vy'uwo muhinduzi
- Akarorero : Bibiliya zimwe zimwe zo muri iki gihe (MSG, NMB) zihindura icanditswe kivuga ku musi w'Umwami (Ivyah. 1 :10) ngo "kuwa Mungu, dimanche" kandi iyo mvugo yatanguye gukoreshwa inyuma y'urupfu rw'intumwa

Utwo dusembwa canke ivyo bihushane ni bike cane kandi muri rusangi birashobora gutahurwa biciye ku kwiga wimbitse cane. Turashobora kwizigira yuko ukuri kuva ku Mana kwadushikirijwe mu bwizigirwa mu binjana n'ibindi, nk'uko nyene kwanditswe muri Bibiliya.

“Imana yarahimbawe no gutangariza isi ukuri kwayo biciye ku bikorwa vy’abantu, kandi Yo nyene ubwayo, biciye kuri Mpwemu Year wayo, yaratunganije abantu kandi ibashoboza gukora ico gikorwa. Yarayobora ubwonko mu guhitamwo ivyo kuvuga n’ivyo kwandika. Ubwo butunzi bwari bushizwe mu nzavya z’ibumba, yamara, naho biri ukwo, bwari mvajuru. Igishingantahe gishikirizwa biciye mu mvugo idatunganye y’ururimi rw’umuntu, yamara ni igishingantahe c’Imana ; kandi umwana w’Imana yumvira, yizera, abona muri co ubwiza bw’ububasha bw’Imana, bwuzuye ubuntu n’ukuri.

Mw’ijambo ryayo, Imana yageneye abantu ubumenyi bukenewe kugira ngo baronke agakiza. Ivyanditswe Vyeranda bikwiye kwemerwa nk’uguhishurirwa kw’ubugombe bwayo, bifise ububasha, bidashobora kwibesha.”

EGW (Intambara Ihambaye, p. 6)

UMUGEREKA: UKUTIHENDA KW'INYANDIKO ZA ELLEN G. WHITE

Igihe Imana yategeka Ellen kwandika ubutumwa bwiwe, yarishuye ati : "Sinshobora kwandika." Ariko Imana iramukomeza, aca atangura kwandika. Uko igihe cagenda kirarenga, yarakoresheje abamufasha kwandika bamukosora amakosa yari afise mu kwandika, bongera baranoza amajambo y'interuro zimwe zimwe.



Mary Ann "Marian" Davis (1847-1904), uwafasha mu nyandiko. Ifoto yakuwe mu "bubiko bw'inyandiko za Ellen G. White



Sarah E. Peck, 1880s. Ifoto yakuwe mu "Ikigo c'Ubucukumbuzi c'Abadiventiste."

Ntibigeze bahindura ubusobanuro bw'ubutumwa, eka mbere nta kintu na kimwe bongeyeko. Ivyanditswe vya nyuma vyama bisubirwamwo na Ellen.



Ku bijanye n'ukutihenda kwiwe nk'umuhanuzi, Ellen yatangaje ati : "Ku bijanye n'ukutihenda, sinigeze mvuga ko ntokwihenda, Imana yonyene ni yo itihenda" (Ubutumwa Bwatoranijwe, vol. 1, p. 42).

Ku bijanye n'ukuntu ivyo yanditse bitihenda, we ubwiwe yanditse ati : "Hari igihe ibintu rusangi bitegerezwa kuvugwa, ivyiyumviro rusangi bigategerezwa kwigarurira ubwonko, amakete rusangi agategerezwa kwandikwa, kandi amakuru yavuye ku mukozi umwe aja ku wundi agategerezwa gutangwa. Yaba ayo majambo, yaba ayo makuru, ntivyatanzwe mu guhumekerwa kudasanzwe kwa Mpwemu Yera" (Ubutumwa Bwatoranijwe, vol. 3, p. 64).